Uburyo bwo gusenga bushimwa n'Imana

(Igice ca 1)

Bishingiye ku kigabane ca 15 c'igitabu *Mu vy'ukuri Bibiliya yigisha iki?* Ico gitabu kiraboneka kuri jw.org.

INTUMBERO: Gusuzuma ivyo wemera n'igituma uvyemera, gusuzuma ivyo Bibiliya yigisha no kuraba ukuntu wosigurira abandi ivyo wemera.

AMADINI YOSE YOBA AHIMBARA IMANA?

1 SUZUMA IVYO WEMERA

Kubera iki hari abovuga ko yose ayihimbara?

Kubera iki hari abovuga ko atari yose ayihimbara?

Wewe uvyibazako iki?

Kubera iki ari ukwo uvyibaza?

www.jw.org © 2016 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania

2 SUZUMA IVYO BIBILIYA YIGISHA

Tubwirizwa gusenga Imana mu buryo ishima.

(Raba ikigabane ca 15 c'igitabu *Ivyo Bibiliya yigisha,* ingingo ya 1-4.)

Soma Matayo 7:21-23.

Nk'uko Yezu yavyerekanye, kubera iki *kuvuga* gusa ko twemera Imana na Yezu bidahagije?

Soma Matayo 7:13, 14.

Kubera iki bitodutangaza kuba abantu benshi cane bataratora idini ry'ukuri?



Tumenye neza ibiranga inoti y'ukuri, biratworohera kumenya inoti y'inyiganano. Muri ubwo buryo nyene, tumenye ibiranga idini ry'ukuri, biratworohera kumenya idini ry'ikinyoma

www.jw.org © 2016 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania

Abari mw'idini ry'ukuri bamenyekanira ku vyo bemera no mu kuntu bigenza.

(Raba ikigabane ca 15 c'igitabu *Ivyo Bibiliya yigisha,* ingingo ya 5-14.)

Soma Zaburi 83:18, Matayo 20:28 na 2 Timoteyo 3:16, 17.

Abakirisu b'ukuri bemera iki ku vyerekeye Imana, Yezu na Bibiliya?

Soma Matayo 24:14, Mariko 12:17 na Yohani 13:35.

Mu buzima bwabo bwa misi yose, abasavyi b'Imana berekana gute ko bari mw'idini ry'ukuri?

Ni igiki *kikwemeza* ko Ivyabona vya Yehova ari bo bari mw'idini ry'ukuri?

www.jw.org © 2016 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania

3 SIGURA IVYO WEMERA

HAGIZE UWUKUBWIRA ATI: …

Mu madini yose hariyo abantu beza.

WOSHOBORA KWISHURA UTI: …

Ni ivy'ukuri ko mu madini yose hariyo *abantu* beza. Ariko nemera ko Imana ishima idini rimwe gusa kubera ko…

_____

_____

Ni icanditswe ikihe wokwereka uwo muntu?

_____

Ufise mu bwenge ukuntu uwo muntu abona ibintu, womufasha gute kuzirikana kuri ico canditswe?

_____

HAGIZE UWUKUBWIRA ATI: …

Ndi mw'idini ririmwo abantu benshi cane kw'isi. Nawe nu, abo bantu bose ntibihenze.

WOSHOBORA KWISHURA UTI: …

Abantu benshi boshobora gushigikira ico ciyumviro cawe, ariko jewe nemera ibitandukanye n'ivyo kubera ko…

_____

_____

Ni icanditswe ikihe wokwereka uwo muntu?

_____

Ufise mu bwenge ukuntu uwo muntu abona ibintu, womufasha gute kuzirikana kuri ico canditswe?

_____

www.jw.org © 2016 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania